REPUBLIQUE DU BURUNDI

Bujumbura, le 28/03/2020

MINISTERE DE LA SANTE PUBLIQUE
ET DE LA LUTTE CONTRE LE SIDA
*CABINET DU MINISTRE*

N° 630 / 1307/CAB/2020

V/ Réf/

N/ Réf/

Objet : **COMMUNIQUE DE PRESSE DU MINISTERE DE LA SANTE PUBLIQUE ET DE LA LUTTE CONTRE LE SIDA SUR LES MESURES DE PREVENTION DU COVID-19 :**

**POINT DE SITUATION DU 28/03/2020**

En date du 27 Mars 2020, Kira Hospital a alerté le Ministère de la Santé Publique et de la Lutte contre le Sida pour 3 cas suspects de COVID-19 qui ont consulté cet Hôpital.

A la même date du 27 mars 2020, une autre personne a alerté le Service des Urgences via la ligne verte 117.

L'Equipe d'Intervention Rapide a été aussitôt dépêchée pour des investigations approfondies à Kira Hospital.

Il s'agit :

1. D'une femme âgée de 63 ans de nationalité Centrafricaine, employée au Conférence Internationale sur la Région des Grands Lacs (CIRGL), qui avait effectué une mission à Bangui et est rentrée en date du 15 mars 2020 en compagnie de sa fille, âgée de 23 ans.

   L'employée de CIRGL a consulté pour fièvre et mal de gorge et a déclaré qu'elle aurait été en contact avec un cas positif à Bangui.
2. D'un citoyen burundais résident au Kenya de 30 ans qui est arrivé au Burundi le 13 mars 2020. Il a consulté pour une toux, écoulement nasal et dyspnée.
3. D'un citoyen burundais, résident au Rwanda où il travaille. Il est entré au Burundi le 12 mars 2020. Il a alerté via la ligne verte pour une fièvre, maux de tête, une toux sèche et mal de gorge. Il déclarait qu'il aurait été en contact avec un cas positif au Rwanda. Il a été conseillé de se rendre directement à Kira Hospital pour être prélevé avec les 3 autres.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Ministre
B.P 1820
BUJUMBURA
Ministère de la Santé Publique et de la Lutte contre le SIDA



B.P 1820 Tél. (257) 22 22 91 95/ (257) 22 24 25 42-BUJUMBURA

Notre équipe d'intervention rapide a fait alors deux prélèvements nasal et oro-pharyngé pour chaque patient pour analyse au Laboratoire national de Référence de l'INSP.

**Les résultats de l'analyse à la PCR sont tous négatifs pour les quatre personnes. Signalons qu'elles étaient en bon état général lors du prélèvement.**

Le Ministère de la Santé Publique et de la Lutte contre le Sida réaffirme une fois de plus, **que notre pays n'a jusqu'à ce jour enregistré aucun cas du COVID-19 et rassure la population que l'Institut National de Santé Publique dispose des réactifs, des équipements de laboratoire et des compétences pour diagnostiquer le Virus du COVID-19.**

Le Ministère de la Santé Publique et de la Lutte contre le Sida voudrait en plus informer les restoutes les formations sanitaires du pays que, pour qu'un appareil PCR puisse faire le diagnostic du COVID-19, il doit être calibré moyennant un logiciel adapté et ses utilisateurs doivent être formés et entrainés à faire ce test. A ce jour, seul le Laboratoire National de Référence de l'INSP répond à ces critères.

Le Ministère de la Santé Publique et de la Lutte contre le Sida tient également à rappeler tous les responsables des formations sanitaires qu'ils doivent garder en isolement, dans la même structure de soins, tous les cas suspects et alerter le Ministère pour une bonne gestion.

Le Ministère de la Santé Publique et de la Lutte contre le Sida demande à la population de ne pas se fier aux rumeurs colportées par les réseaux sociaux et par certains médias extérieurs du pays qui lancent sciemment des informations erronées pour perturber la population.

**En cette période de prévention du COVID-19, la seule voie autorisée pour toute information fiable est le canal gouvernemental.**

**Le Ministère de la Santé Publique et de la Lutte contre le Sida renouvelle son appel au respect strict des mesures de prévention individuelle et collective.**

Fait à Bujumbura, le 28 Mars 2020

République du Burundi — Cabinet du Ministre — BP 1820 — Bujumbura — Ministère de la Santé Publique et de la Lutte contre le SIDA

**LE CABINET DU MINISTRE DE LA SANTE PUBLIQUE ET DE LA LUTTE CONTRE LE SIDA**

REPUBLIQUE DU BURUNDI

MINISTERE DE LA SANTE PUBLIQUE
ET DE LA LUTTE CONTRE LE SIDA
*CABINET DU MINISTRE*

Bujumbura, le 28/03/2020

N° 630 / 1307 CAB/2020

V/ Réf/

N/ Réf/

Objet : **ITANGAZO RY'UBUSHIKIRANGANJI BWO KUBUNGABUNGA AMAGARA Y'ABANTU NO KURWANYA SIDA RYEREKEYE GUKINGA IKIZA CA CORONAVIRUS:**

**IGENEKEREZO RYA 28/03/2020**

Kuri uyu wa gatanu igenekerezo rya 27 ntwarante 2020, ibitalo Kira vyaramenyesheje Ubushikiranganji bwo Kubungabunga Amagara y'Abantu no Kurwanya Sida, ko mu barwayi bakiriye, harimwo abo biketseko ibimenyetso vya coronavirus.

Uwo munsi nyene, hari umuntu yahamagaye aciye ku nomero 117, yo gusaba impanuro canke yo gutabaza, avuga ko yumva afise ibimenyetso vya Coronavirus.

Umurwi w'abahinga babijejwe bo mu Bushikiranganji , baciye bihutira gufata ibipimo vy'abo bantu. Abo bantu nabo akaba ari aba bakurikira:

1. Umukenyezi w'imyaka 63 afise Ubwenegihugu bw'igihugu ca Centrafrique, asanzwe akorera ngaha mu Burundi mw'ishirahwamwe CIRGL. Yari yagize urugendo mu gihugu avukamwo ca Centrafrique, hanyuma ataha mu Burundi kw'igenekerezo rya 15 ntwarante 2020, azananye n'umukobwa wiwe w'imyaka 23 .
   Uwo mukenyezi yaje kwivuza kubera yarurumba akongera akababara mu muhogo. Yongera avuga ko mu gihe yari i Bangui, yoba yarabonaye n'umuntu boba basanze yarafashwe na coronavirus.
2. Umurundi w'imyaka 30 aba mu gihugu ca Kenya, akaba yari yashitse mu Burundi igenekerezo rya 13 ntwarante 2020. Yari yaje kwivuza mu bitalo Kira afise inkorora, ibicurane no guhema adashikana.
3. Uwundi ni umwe yahamagara ku numero 117, nawe n'umurundi w'imyaka 38 asanzwe aba mu Rwanda , aho arangurira imirimo. Yaje mu Burundi igenekerezo rya 12 ntwarante 2020. Yahamagaye avuga ko arurumba, amenetse umutwe, afise inkorora y 'agahehera kandi ko ababara mu muhogo.



B.P 1820 Tél. (257) 22 22 91 95/ (257) 22 24 25 42-BUJUMBURA

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Ministre
B.P. 1820
BUJUMBURA
Ministère de la Santé Publique et de la Lutte Contre le SIDA

Yongera avuga ko yoba yarabonanye n'umuntu basanze arwaye coronavirus igihe yari mu gihugu c'Urwanda.

Yaciye asabwa kwihutira mu bitalo Kira , kugira afatirwe ibipimo hamwe na bamwe batatu bari baje kwivuriza muri ivyo bitalo.

**Ibipimo vyaraye bikozwe muri laboratoire ya INSP, vyerekanye ko abo bantu uko ari 4 ata kiza ca Coronavirus barwaye.**

Ubushikiranganji bwo kubungabunga amagara y'abantu no kurwanya sida,buramenyesheje abarongoye ibitalo vyose vyo mu gihugu, ko icuma ca PCR gipima umugera wa coronavirus , gikoreshwa n'ubuhinga bwa none bita logiciel igenewe gupima uwo mugera. **Gushika uyu munsi, ni mu Gisata ca Laboratoire co muri INSP dufise ibikoresho bipima umugera wa coronavirus, hamwe n'abahinga bazi neza gukoresha ivyo bikoresho.**

Ubushikiranganji bwo kubungabunga amagara y'abantu no kurwanya sida busubiye kwibutsa abarongoye amavuriro n'ibitalo ko umuntu wese yiketsweko kimwe mu bimenyetso vya coronavirus ategerezwa gukurwa mu bandi barwayi, bakamushira ukwa wenyene,muri iryo vuriro canke ibitalo nyene, hanyuma bakabimenyesha Ubushikiranganji, kugira uwo muntu apimwe.

**Ubushikiranganji bwo kubungabunga amagara y'abantu no kurwanya sida, busubiye kwemeza ko gushika uyu munsi, mu Burundi, ata kiza ca Coronavirus kirinjira, bwongera buhumuriza abenegihugu ko mu Gisata ca Laboratoire co muri INSP dufise ibikoresho bipima umugera wa coronavirus, hamwe n'abahinga bazi neza gukoresha ivyo bikoresho.**

**Ubushikiranganji bwo kubungabunga amagara y'abantu no kurwanya sida, busavye abenegihugu kutajana nyabahururu mu gukwirikira ibihuha bica ku mbuga ngurukanabumenyi canke amakuru atangwa n'ibimenyeshamakuru vyo hanze bimwe bimwe , bifise intumbero yo guhubisha canke guca ivutu abenegihugu**

**Muri ibi bihe twitwararitse gukinga kugira ikiza ca coronavirus nticinjire mu gihugu cacu, inkuru zo kwizera zitangwa n'ibisata vya Leta gusa.**

**Ubushikiranganji bwo Kubungabunga Amagara y'Abantu no Kurwanya Sida busubiye gusaba abenegihugu gukwirikiza neza impanuro zose zo kwirinda ikiza ca coronavirus**

**Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 28 Ntwarante 2020**

**IBIRO VY'UMUSHIKIRANGANJI WO KUBUNGABUNGA AMAGARA Y' ABANTU NO KURWANYA SIDA**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Ministère de la Santé Publique et de la Lutte Contre le SIDA
Cabinet du Ministre
B.P. 1820
BUJUMBURA